# Haragahona abavugira ku nsya z'amenyo n'ubwishime hamwe n'ukudadika mu mvugo n'ingiro

Mu vyakiriwe na Abdillaahi mwene Mas'uudi (Imana Allah Imwishimire), yavuze ati: "Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah), yavuze iti: "Haragahona abavugira ku nsya z'amenyo n'ubwishime hamwe n'ukudadika mu mvugo n'ingiro". Ivyo yabivuze ibisubiramwo incuro zitatu".

Umuvugishwamana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah), arerekana uguteterwa n'agahombo, abavugira ku nsya z'amenyo n'ubwishime hamwe n'ukudadika mu mvugo n'ingiro bazogira; kuko batagendera ku burongozi n'ubumenyi bukwiye mw'idini, mu buzima bwo kw'isi, mu mvugo zibaranga no mu bikorwa bakora, gutyo bakarenga imbibe z'amategeko bazaniwe n'Umuvugishwamana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah).

https://sunnah.global/hadeeth/rn/show/3420